# 210: Akaruru k'intambara numva karerema

1. Akaruru k'intambara numva karerema,
Satan' atabaz' abiwe bose bo mw'isi,
Ariko singir' ubgoba, nanse gutabara,
Nta c'angira ko mb' Ahera cane.

Ref: Ninjiy' Ahera cane Yesu yanteguriye,
Mpora nnyw' amazi meza y'isok' idakama,
Manu ni yo ndy' imisi yose,
wa mutsima w'imana, Nagererey' Ahera cane.

2. Satani wa Mubi yam' azan'impagarara,
Ngw'aturas' imyampi myinshi yak' umuriro,
Ariko ntashobora gushingur'akarimbi K'umusaraba
Yesu yashinze.

3. Non' isegenya ni yagw' inkukur'igatwaza,
Umuyag'uhuhuse bikansurirako,
Nzi kw ata co nzoba kuko nshinzwe ku rutare
Nzirits' umutim' Ahera cane.

4. Mpagaz' aha hantu hera, ndatangara mbonye
Imigabo y'Imana n'ingen'iyishitsa,
Inyigisha muri Mpwem' agakizagashitse:
Sinzotirimuk' Ahera cane,

Visit us at burundi.indirimbo.com